# UKURI KUNYWANISHA



## AMATATI Y'AMATONGO N'AYANDI MATUNGO

## UMUGWI CVR UGIYE GUSHIRA AHABONA INGINGO ZIMAZE GUFATWA



### INCAMAKE Y'IBIRIMWO

**-Inginzo zimaze gufatwa n'umugwi CVR ku matati y'amatongo n'ayandi matungo zigiye kuja ahabona:**

**Abarundi basabwa iki?** **(Ur.1-3)**

**-Abanyegeza Ukuri bazohanwa hisunzwe amategeko** **(Ur.3)**

**- Zimwe mu mpapuro zerekana ivyanyazwe abahitanywe n'ihonyabwoko ryo mu 1972** **(Ur.4)**

Abagize Umugwi wo gutohoza ukuri no kunywanisha Abarundi, CVR, bagiye gushira ahabona ingingo zimaze gufatwa zerekeye amatati y'amatongo n'ayandi matungo.

Abarundi muri rusangi basabwa gushigikira inginzo zizoshikirizwa n'uwo Mugwi kuko zizoba zimurikiwe n'Ukuri kwatohojwe neza.

**Abarundi basabwa kandi:**

- kwakirara izo ngingo n'imitima itekanye, birinde ishavu n'ingendo iyo ari yo yose itabereye!
- kuguma bafatanye mu nda n'abo bari bafitaniye amatati, ntibace barabana ayo ingwe kuko kunywanisha Abarundi bishingiye ku kuri no gusubiza iteka abari baranyazwe ;
- Abarundi bose bitegure gushigikira ibikorwa vy'Umugwi CVR mu kwubahiriza amategeko y'igihugu n'ayagenga uwo Mugwi ;
- Abarundi bose bibuke ko amatati adatorewe inyishu, azoba ari ugukwegera abana babo mu ngaruka z'ibibazo batagizemwo uruhara ;
- Abarundi bari mu mitumba no mu makaririye barazi amakuru y'abanyazwe. Nibave mu bwoba, bahagararire Ukuri, bashinge intahe Igihugu kibohoke.

## ABAJEJWE INTWARO, ABAJEJWE UMUTEKANO N'ABAJEJWE UBUTUNGANE HARI ICO BASABWA N'UMUGWI CVR ?



*Umukuru w'Umugwi CVR n'Umunyamabanga w'Ibiro mu kiganiro catunganijwe n'uwo Mugwi ku binyamakuru bitandukanye, hôtel Source du Nil, igenekerezo rya 10 Ndamukiza 2026*

### Abajejwe intwaro basabwa iki n'Umugwi CVR?

- Umugwi CVR ubasabwa gufasha bimwe biboneka mw'ishirwa mu ngiro ry'ingingo z'Umugwi CVR no mw'iyubahirizwa ryazo ;
- Ubasaba gufata iya mbere mu gutanga umuco ku makuru y'amatongo n'ayandi matungo ari mu ma-tati ;
- Abajejwe intwaro basabwe kandi kubandanya ba-korana neza n'abaserukira Umugwi CVR mu Ntara kuko amatati Umugwi ukorerako ari mu makomine no mu ntara.

### Ni iki Umugwi CVR usaba abajejwe umutekano ?

- Abajejwe umutekano , tubasavye gufasha kugira ngo umutekano ubungabungwe mu gihe c'ishikirizwary'ingingo z'Umugwi CVR ndetse n'inyuma yaho, na cane cane mu burere buzoba bwegwa n'izo ngingo.
- Nivyo ko hari nk'abana bakuriye mu nzu canke amatongo ba se banyaze, batigeze bababwira Ukuri. Nk'abo ingingo ziba kozeko birumvikana ko batobura umubabaro no gutangara.

Ariko baze bumve ko amakosa ari ay'abavyeyi babo nk'uko Abarundi bayamaze bati :« **so akwanka akuraga ivyamunaniye** ». Muri CVR naho tuka-vuga duti : « **so akwanka akuraga ibinyagano** ».

# UKURI KUNYWANISHA



### Abajejwe Ubutungane nabo basabwa iki?

- Umugwi CVR urashima ingene ukorana neza n'abajejwe ubutungane na cane cane mw'ihererekanwa ry'amadosiye. Umugwi CVR ubasaba kubandanya bashigikira ibikorwa vy'Umugwi CVR mu guha intumbero Abarundi bakijuragirika bitura ayo masentare ku madosiye yategerezwa kwigwa n'Umugwi CVR, gutyo imyidogo y'abo benegihugu ibone kugabanuka.

### Umugwi CVR uragabisha abasura ibinyoma n'abitwaza impapuro za magendo

Umugwi CVR usaba umuntu wese azi ko ari mu nzu canke itongo yanyaze canke yaguze n'uwanyaze, atodadaza kuko aba ariko arinjiza Igihugu n'imiryango mu ngorane n'amatati y'urukwegane.

Abantu basura ibinyoma co kimwe n'abazana impapuro za magendo, bomenya ko amategeko agiye gukwirikizwa, kuko vyamaze kugaragara ko bari mu bagwiza igitigiri c'amadosiye. Biramaze kugaragara ko hari abantu bazana amadosiye y'ibinyoma, bakemeza ko itongo canke inzu ari ivyabo kandi bazi neza ko ari ibinyagano bakanazana n'amasura y'ibinyoma.

Ivyo rero bikaba bihanwa n'amategeko y'igihugu mbere n'amategeko agenda umugwi CVR.

Akarorero ni Ingingo mpanavyaha y'106, agace *ka* gatatu ko mw'itegeko rigenga Umugwi CVR iratomoye. Reka ndayibibutse :

***« Ikindi caha c'ukubera intambamyi irangurwa ry'ibikorwa vy'Umugwi CVR gihanishwa umunyororo uva ku mwaka umwe gushika ku myaka itatu hamwe n'ihadabu ry'amafaranga y'amarundi riva ku miriyoni zitanu gushika ku miriyoni icumi, ni ukugira iterabwoba iryo ari ryo ryose ku Mugwi, ukwanka gukorana n'Umugwi, ukunyegeza amakuru akenewe, ugutanga canke ukwerekana impapuro atari iz'ukuri, uguhakana canke ukuburagiza ishirwa mu ngiro ry'ingingo zafashwe n'Umugwi, ugutanga amakuru atari ay'ukuri canke ugukora ibikorwa bifise intumbero y'ukuburagiza canke y'ukudindiza ibikorwa vy'Umugwi CVR. »***




**NIYUKURI JOSEPHINE,** umwenegihugu wo ku mutumba Buheka muri commune Nyanza-Lac yahungutse ava muri Tanzaniya inyuma y'imyaka irenga 50 ahunze ihonyabwoko ryo mu 1972.

Yagarutse asanga itongo ryiwe ryarihagiwe n'uwundi muntu. Asaba ko yotunganirizwa agasubizwa mw'itongo ryiwe, ngo biragoye kunywana n'umuntu yakunyaze mu gihe atarasubiza ivyo yanyaze.

*« Twagarutse mu Burundi iwacu, rero nibadusubize ivyacu. Abari mu matongo yacu barazi iyo baje bava. Ntidushobora gusangira itongo kuko iyo baje bava barafise amatongo yabo, nayo nibayazane tuyagabure. Twobana neza gute kandi baranyaze uburenganzira bwanje? Nanje ndi Umurundikazi, nkwiye gukingigwa no kuronka uburenganzira bwanje. »*


TESTAMENT Olographe :

Je soussigné : MBUZIYONDORA Servais Né à Kibaya (Ndora- Musigati) le 5-6-1941 Résidant à Masango

Accorde le plein droit à mon épouse Servais - Rose KAKOBWA, de gérer tous mes biens au profit de mes enfants légitimes, au cas où je ne serais plus en vie avant elle.

Il s'agit de : 1) mes immeubles par nature : terrain, champs et maisons se trouvant à Masango,

2) mon capital placé à la Caisse d'Épargne à Bujumbura du livret n° 56.110

3) mon capital placé à la Banque Commerciale du Burundi à Bujumbura du n° de compte 6.068, comprenant : a) un compte bloqué, b) un compte courant

4) un prêt de cinquante mille (50.000) francs donné à M. l'Abbé François-Xavier [illegible] à intérêt légal de 3% en date du 20/8/1969.

Je désigne mon fils Denis Bugabo, de succéder sa maman (mon épouse), dès qu'il aurait l'âge de 18 ans, alors à devant .../...

faire profiter tous mes biens susdits [illegible] à tous ses frères et soeurs légitimes, tel qu'ils sont mentionnés dans mon livret d'identité et dossiers administratifs.

Fait à Masango, le 26-5-1972.

Servais MBUZIYONDORA
Directeur des écoles à Masango.

**SERVAIS MBUZIYONDORA,** w'i Musigati/Bubanza, yari umuyobozi w'amashure, amaze kubona atasaganirizo, agiye guhitanwa n'ihonyabwoko ryariko rihitana Abahutu mu 1972, yahisemwo kwandika urwete ruvuga ku matungo yiwe n'ingene azokwirikiranwa atakihari.

## Zimwe mu mpaporo zatowe n'Umugwi CVR zigaragaza bimwe bimwe mu mazu, imiduga n'amakonte vyanyazwe mu gihe c'ihonyabwoko ryo mu 1972:



REPUBLIQUE DU BURUNDI
PARQUET DE GITEGA
CABINET DU PROCUREUR
DE LA REPUBLIQUE.-

Gitega, le 18 Octobre 1972.-

A Monsieur le Procureur Général de la République
à
B U J U M B U R A.-

N° 330/D.72.-

O B J E T: Liste des Immeubles Saisis

Monsieur le Procureur Général,

J'ai l'honneur de vous transmettre en annexe, la liste des immeubles saisis dans l'affaire"des récents événements" et les litiges y afférents.-

Vous voudrez aussi trouver ci-joint, différents documents nous adressés par les demandeurs en vue de rentrer en possession des immeubles dont la propriété est contestée. Certains de ces documents doivent être étudiés avec prudence, car il y en a qui veulent profiter de la situation pour enrichissement sans cause.-

Veuillez agréer, Monsieur le Procureur Général, l'assurance de ma considération très distinguée.-

B) PROVINCE DE GITEGA
ARRONDISSEMENT DE GITEGA

| | | |
|---|---|---|
| CENTRE URBAIN : | 1. ASSUMANI Massa | Matériaux durables |
| | 2. MISIGARO GERMIE | " " |
| | 3. HIMILI Hassani | " " |
| | 4. RUTSIKE Sévérin | " " |
| | 5. NYARUBUSA André | " " |
| | 6. BIRARA Pierre | Fondation matériaux durables (parcelle) |
| CAMP SWAHILI : | 1. RURIBIKIYE | Matérieaux durables (Département) |
| | 2. ZUBAHILI Hassani | " " |
| | 3. BUSABURA Soluma | En pisé |
| | 4. MIRUMBA Pascal | En pisé (boutique) |
| | 5. JUMA KILIMA | Hutte |
| | 6. MANISHA Alphonse | En pisé |
| | 7. BENDANKEHA Nicolas | En pisé (très bon) |
| | 8. NYANDWI Barthazar | En pisé |
| | 9. SUGURU Pierre | En pisé (assez bon) |
| | 10. JAHAYA Omali | En pisé (bon) |
| | 11. BRAHIM Assani | En pisé |
| | 12. BUTONDIKO Sévérin | 2 maisons semis durables |
| | 13. HAKIZIMANA Johakime | Briques adobe |
| | 14. BARAHIMANA Janvier | En terre |
| | 15. MUKUKUZO | Briques adobe (mauvais état) |
| | 16. RUSHATSI Joseph | Briques adobe (bon) |
| | 17. BIYANKE Gabriel | Hutte (mauvais état) |
| | 18. NTAKABASHINGA Albert | Briques adobe (mauvais état) |
| | 19. KEKENWA Joseph | En terre (mauvais état) |
| | 20. NTAHOMVUKIYE Paul | En terre (bon état) |
| | 21. NTAMAGENDERO | En terre (mauvais état) |
| | 22. NIBIZI Simeo | En terre (assez bon) |
| | 23. NZAYOMAZE Fabien | En terre (bon état) |
| | 24. NTACONZOBA Manasi | En terre (bon état) |
| | 25. Lucien | Semis-durables (très bon) |
| | 26. NYANDWI | " " " |
| | 27. TAMBWE Alphonse | " " " |
| | 28. BANDYAYERA Merciado | " " " |
| | 29. NGURUBE Ramazani | " " " |
| | 30. SINGIRANKABO Jean | 2 maisons briques adobe (très bon) |

## Imiduga

Bujumbura, le 25 Octobre 1972.-

K.P.-

REPUBLIQUE DU BURUNDI
CABINET DU PROCUREUR
---oOo---

A Monsieur le Procureur Général de la République du Burundi à BUJUMBURA.-

26.10.1972

N° 640 /RMP.48229/BUJA/

OBJET : Véhicules saisis et affectés au service des Forces Armées.

Monsieur le Procureur Général,

Comme votre Cabinet Général me l'a demandé téléphoniquement, j'ai l'honneur de vous faire savoir les véhicules saisis qui sont affectés au service des Forces Armées à Bujumbura.-

Il s'agit de :

1) Un camion Volvo B.8416
2) Un camion Chevrolet B.5867
3) Un camion Volvo B.5044.-

COMPAGNIE QUARTIER GENERAL

| | | |
|---|---|---|
| Opel Kapitan | B. 2226 | 5.000 sans moteur |
| Peugeot 403 | B. 1080 | 5.000 |
| V.W. Variant | B. 5355 | 5.000 |
| Citroën | B. 0821 | 1.000 |
| V.W. 1200 | B. 4488 | 15.000 |
| Lambretta | B. 524 | 1.000 |
| V.W. Combi | B. 3778 | 5.000 sans moteur |
| Fiat | B. 3625 | 10.000 " " |
| Opel Record | B. 1381 | 10.000 |
| Honda 50 | | 7.000 |
| Ajs Moto | B. 229 | 1.000 |
| Victoria | | 1.000 |

GITEGA

| | | |
|---|---|---|
| V.W. 1300 | B. 6227 | 100.000 |
| Peugeot Station W. | B. 6079 | 70.000 |
| V.W. 1200 | B. 0643 | 40.000 |
| V.W. 1300 | B. 5160 | 55.000 |
| V.W. 1200 | B. 4975 | 55.000 |
| Peugeot voiture | B. 6734 | 110.000 |
| Peugeot Station W. | B. 1558 | 50.000 |
| Toyota voiture | B. 6447 | 70.000 |
| Jeep Minerva | B. 1589 | 20.000 |
| Peugeot Station W. | B. 1098 | 40.000 |
| Renault L 4 | B. 1852 | 40.000 |
| Chevrolet camionnette | B. 2848 | 110.000 |
| Chevrolet camionnette | B. 1613 | 70.000 |
| Camion Ford | B. 0075 | 70.000 |
| Jeep I.H.C. | Essai | 20.000 |
| V.W. voiture | B. 5933 | 45.000 |
| Renault L 4 | B. 5333 | 40.000 |
| V.W. voiture | B. 5374 | 35.000 |
| Camionnette Ford | B. 6135 | 220.000 |
| V.W. voiture | B. 1520 | 25.000 |
| Opel Kadett St.W. | B. 4489 | 60.000 |
| Ford Transit | B. 6018 | 50.000 |
| Ford Transit | B. 6190 | 90.000 |
| V.W. voiture | B. 1526 | 35.000 |
| V.W. voiture | B. 1751 | 10.000 |
| Ford voiture | B. 2360 | 40.000 |
| V.W. voiture | B. 4602 | 40.000 |
| V.W. | B. 1063 | 25.000 |
| V.W. Combi | B. 6078 | 40.000 sans moteur |
| Opel 1700 | B. 3954 | 50.000 |
| Camionnette Peugeot | B. 5652 | 70.000 |
| | B. 3591 | 40.000 |
| | | 40.000 |

## Amakonte

REPUBLIQUE DU BURUNDI
PARQUET DE GITEGA
CABINET DU PROCUREUR
DE LA REPUBLIQUE

Gitega, le 14 septembre 1972

A Monsieur le Procureur Général de la République à

N°107/D.72

BUJUMBURA.

O B J E T: Liste des personnes dont les comptes ont été bloqués.

Monsieur le Procureur Général,

En réponse à votre télégramme N°126/RMP.48.229/N.C. j'ai l'honneur de vous faire parvenir la liste des personnes dont les comptes ont été bloqués dans l'affaire des récents événements. Les comptes ont été bloqués respectivement à la Banque Commerciale agence de Gitega et à la CADEBU agence de Gitega.

Veuillez agréer, Monsieur le Procureur Général, l'assurance de ma considération très distinguée.

LE PROCUREUR DE LA REPUBLIQUE
a.i.A GITEGA

NYANKIYE Adrien.

L I S T E D E S C O M P T E S B L O Q U E S.

CADEBU.

| NOMS ET PRENOMS | COMPTE | MONTANT EN COMPTE |
|---|---|---|
| NTUNGIYE Melchior | 99 | 206 |
| NCAHORURI Léonard | 198 | 3000 |
| NDABADUGITSE Anaclet | 228 | 12095 |
| BARARUNYERETSE Boniface | 243 | 737 |
| HABUHAZI Léonard | 285 | 2147 |
| BINDABA Joseph | 339 | 7794 |
| MINANI Bernard | 466 | 147 |
| MAKERO Denis | 685 | 7371 |
| RUCUMUHIMBA René | 907 | 7371 |
| MBANYE Maurice | 1280 | 86 |
| SAYUMWE Marguerite | 1351 | 14040 |
| KAVUMBURIGWA Dominique | 1359 | 83 |
| NDWANIYE J-Berchimans | 1528 | 4846 |
| NIMPAYE Dieudonné | 2015 | 51 |
| BATUNGWANAYO Charles | 2064 | 104 |
| BANKWA Donatien | 2126 | 12 |
| RUBERANKIKO Salvator | 2163 | 2086 |
| NTUNGUKA Jacques | 2217 | 20719 |
| BARIKONYO Gaspard | 2268 | 4096 |
| MAZOYA Marc | 2401 | 7014 |
| BANUMA Barnabé | 2517 | 76671 |
| BITUTSI Matheiu | 2924 | 4384 |
| NHIMIRIMANA Mathias | 2944 | 4395 |
| NSANZERUGEZE Joseph | 3081 | 356 |
| BANDYAYERA Fidèle | 3505 | 4 |
| BUKUBIYE Adelin | 3557 | 347 |
| BANIGWA Eliachim | 3598 | 11874 |
| NYAMITWE Adelin | 4099 | 43 |
| NTAMAGIRO Antoine | 4153 | 2868 |
| SINZOBAKWIRA Joseph | 4556 | 799 |
| NYANDURUKO Damien | 4610 | 1087 |
| NDANIMANGA Antoine | 4711 | 10134 |
| KAYANDA Damien | 4751 | 2003 |
| NZORIJANA Pie | 4998 | 279 |
| SINIBAGIYE Léopold | 5143 | 32 |
| ISIRABAHENDA Zacharie | 5444 | 5295 |
| NTABAYAGIRWA Jean | 5465 | 678 |
| MBONIHANKUYE Vite | 5553 | 76 |
| CISHAHAYO Michel | 5787 | 5 |
| NTIRANDEKURA J-Prime | 5793 | 3 |
| BACINONI Jean | 6377 | 1670 |
| NDAYIHANGAJE Daniel | 6867 | 10 |
| KIRIMUTUMYE Martin | 7130 | 5415 |